Ingo Unkurikire

Igitabu co kwigiramwo

Igitabo ca mbere

Insobanuro mu Kirundi, 2026

https://word.org.uk

Tim Green

Amashimwe

Ndashimiye umuntu wese yagize ico afasha muri uy'umugambi biciye mugutera intege, mu kugira ico avuze no mu masengesho. Mu masaha amajana yo gusuzuma bitonze mu ntambwe za mbere mu gitabu ca mbere Yakobo na Rakeri barampaye ubufasha bwagutse muntambwe za kabiri kandi Jene nawe yabaye kirumara mugitabu ca kabiri. Misheri yakoze igikorwa ciza co gucapamwo imirongo hama Dawidi nawe ashirako ifoto yo ku gifuniko abasomyi babizera bababa mirongwine basomye iki gitabu bo mu bihugu vyinshi mubugwaneza ntangere barafashije mu gusuzuma no mukugira ico bavuze. Ntamazina mvuze ariko ndashimira vy'umwihariko S, D na J. Abagihinduye na basuzumye mu kiJerumani, mu gifarisi no mucarabu barantererye ivyiyumviro bifasha. Ndashimiye cane umuryango ariko vy'umwihariko Rakeri mu myaka myinshi turikumwe twasangiye umunezero n'umubabaro wabaca munzira igoye y'ubwigishwa mubihe bigoye.

Gusigura ubwa mbere iki gitabu mu Kirundi

Ubwambere nandikiye ik'icigwa mu buryo bw'umwihariko abizera bahoze mw'idini bakiba muhira iwabo. Ariko ubu kirakoreshwa n'abantu benshi mu bihugu vyinshi ushizemwo uburayi. Ingorane z'ivyiyumviro bikikuje umuntu ziracariho ariko abarongora inyigisho ziki cigwa bakwiye gukoresha kubaza ibibazo bihuye n'inyigisho.

Iki cashikirijwe mucongereza c'abanyafirika basanzwe bamenyereye kwumva. Ibirimwo bihuye nibiri mu congereza mpuzamakungu haba mumafoto n'amazina vya koreshwejwe.Nakoresheje imvugo y'icongereza ikoreshwa n'abadagi.Iki co mucongereza mpuza makungu kiri kurubuga rwa (word.org.uk), Ruratanga amakuru y'indimi zitandukanye cahinduwemwo naho ushobora kubigura.

Inyungu z'uburyo bwose biciye mukugurisha iki cigwa zokoreshwa mugushikira no mukwagura uwu mugambi
Ndungikira intererano zawe kugira ibindi bizosoka muri kazoza bizobe vyiza.

Tim Green, Ruhuhuma 2019 www.word.org.uk

Ukeneye amakuru yimbitse

Canke kuciha ku mbuga ngurukana bumenyi gende kuri www.word.org.uk

Uburenganzira bwo kugisubiramwo

Ubwambere casohorewe mu Bwongereza 2013 bikozwe na Lulu. Uburenganzira ni ubwa Lulu, Ica kabiri 2017, Uburenganzira, © Tim Green 2013.

Abasomyi baremerewe gufotoza ivyigwa bibiri vy'iki cigwa canke kubisohoza biva k'urubuga, ntarugero basabwa kugezako ariko ntibemerewe kugurisha. Ndasavye ntufotoze ivyigwa birenga bibiri. Canke nyandikira kuri courses@word.org.uk nimba ukeneye uruhusha rundi.
Ivyanditswe vyose biva muri Bibiriya Yera

Gishikirijwe abo bashaka kwubaka ubuzima busha muri Kristo nokurondera ikibanza cabo mu kibano ciwe, bacitwararitse imiryango yabo n'ikibano cabo cakera naho haba hari ukudatahurana n'ugutabwa.

Banza Usome Ibi!

Icigwa *Ingo Unkurikire*Kigufasha gukura no gukomera muri Kristo no mu muryango wiwe.

Iki gitabu ntiwiyumvire ngo ni icigwa cose! Ni igice kimwe ca gatatu.

Ku bw'ivyo, ukurikize uyu mukenyuro:

- **Ubwa mberę** wuzuze ibibazo vyo kwiyigisha kuri buri cigwa

  (urupapuro rwa vi rukwereka uko bikorwa);

- **Ubwa kabiri**, ganira buri cigwa n'umufasha canke umuhanuzi wawe, canke umurwi
- **Ubwa gatatu,** ntiwirengagize Igikorwa c'Imyimenyerezo

Izo ntambuko zifataniriza hamwe *Kuguhingura no guhindura* umutima wawe no *kuguha* ivyo ukwiye mu gikorwa cose c'Imana.



Kubw'ivyo, ntuhirahire ngo wiyigishe iki gitabu. Ahubwo, rondera umuyoboke wa Kristo yakuze muri Mpwemu agufashe nk'umuhanuzi wawe, muganire ku vyo ukwiye kwiga no gushira mu ngiro. Mubaze ibijanye n'ubuzima bwawe, musengere hamwe, muremeshanye muri Kristo. Aho ni ho uzunguka ibintu vyinshi n'iyo woba uri mu mugwi w'abandi bizera.

Nk'umufasha canke umuhanuzi akoresha iki gitabu, rondera igitabu c'***UMUFASHA*** kigusobanurira uko ukoresha icigwa. Mu gitabu c'umufasha harimwo ido n'ido ry'ibibazo ukwiye kwigako no kwishura.

Iki kimenyetso c'i bumoso kikwereka ibibazo ukwiye kwigako cane muri iki gitabu.

Rondera igitabu c'Umufasha uciye kuri www.word.org.uk no kuri **Life Challenge** kugira ngo wigurire igikoresho cawe bwite. Waba umunyeshure canke umufasha, gerageza uturungikire ivyiyumviro n'intererano zawe z'uko hari ivyo twokwongeramwo kugira ngo ivyigwa bishobore kugira akanowera kuruta.

Murakoze cane Tim Green courses@word.org.uk

Walter Eric info@lifechallenge.de

www.word.org.uk

Ibirimwo

Ivyigwa		Urupuro
	Igitabu ca 1	
1	***Kubabarirwa –KUBA UWUKURIKIRA KRISTO***	**1**
2	***Guhinduka –UBUZIMA BUSHA MURI KRISTO***	**8**
3	***Kurerwa –IMANA DATA***	**15**
4	***Gushobozwa –KWUMVIRA YESU KRISTO***	**21**
5	***Kwifatanya* – KUVUGANA N'IMANA**	**28**
6	***Gufungurirwa*– IJAMBO RY'IMANA**	**35**
7	***Gutoranywa* – ABAGIZE ISHENGERO**	**42**
8	**Kubamwo – ABAGIZE IKIBANO**	**50**
9	***Uguhamwa* - IMPAMVU HABA IHAMWA**	**57**
10	**Icigwa ca 10: *Kunezerwa* – UKWO TWOKWIFATA MU GIHE C'IHAMWA**	**64**
11	***Kwiyemeza*– ABAGABO N'ABAGORE**	**71**
12	***Kwiyuzuza*– GUTORERA UMUTI IMPARI**	**80**
13	**Kwitegura – GUSHINGA INTAHE**	**90**
14	**Kwezwa - UMUBATIZO**	**99**
15	***Kwidegemvya* – INZIRA IGORUROTSE**	**106**
16	***Kwuzwuzwa Ubushobozi*– ICAGEZWE C'URUKUNDO**	**114**
17	***Guhimbara Imana*– KWISONZESHA NO GUTANGA**	**122**
18	***Kwanka Ikibi* – UBUPFUMU N'UBUROZI**	**131**
19	***Kuba Umunyengabire*– GUKORERANIRA**	**140**
20	***Gushimikira* – URUGENDO RWACU RUJA MW'IJURU**	**148**

Ivyongeweko 1
Ivyongeweko 2: ni gute woshikira Imana

Ingingo ngenderwako z'uwiga

1. Soma ikibazo cose witonze.

2. Andika canke ushireko [□] inyishu yawe mukibanza cabigenewe.

3. Umaze kwandika inyishu yawe woshobora kuraba inyishu kumpera y'icigwa.

4. Umaze guheza icigwa cose, Subiramwo umenye ibigize icigwa bikurubikuru.

5. Ibibazo bimwe bisaba ko ukoresha ivy'iyumviro vyawe mugihe c'ikiganiro raba neza ko wishuye ibibazo hama witegurire ikiganiro.

6. Ku vyigwa bitanu vyambere ico ukeneye n'igitabu c'icigwa gusa. Kuva kucigwa ca gatandatu uzokenera Bibiriya Yera. Muriki cigwa, dukoresha bibiriya nshasha mpuzamakungu (2011) Ariko ukoreshaje n'iyindi ni vyiza. Hari Bibiliya nyinshi ariko zose ziva mugisomwa kimwe mu ndimi zanditswemwo. Iyambere ntiyahinduwe.

7. Mw'isi yose hari abayoboke benshi ba Yesu Krisito bavuye mw'idini wahozemwo. Bamwe muri bo barize cane abandi oya. Iki cigwa catunganijwe mu buryo bworoshe kugira n'abize bike bashobora kugitahura. Urashobora kubona ko iyi nyigisho yoroshe cane, ariko uzokwumvira ivyayo mu buzima bwawe? Imana iritwararika ukwumvira kwawe kuruta ubwenge bwawe. Nimba wumviye ivyo wigishijwe uzokwunguka.

8. Wibuke ko umuhanuzi wawe yitanga ngo agufashe. Niwerekane urupfasoni rwawe mugushika k'umwanya mukiganiro no gukora igikorwa co muhira.

Ubu rero tangura ufashwe n'Umwami!

Icigwa ca: 1

Ukubabarirwa – KUBA UWUKURIKIRA KRISTO

Intumbero y'ubuzima bwacu

Abagabo babiri bagize ikiganiro. Umwe muri bo aravuga:" Ndizera ko Imana mushobora vyose yandemye ngo numvire amategeko yayo. Kandi yarungitse abavugishwa nayo kugira ngo banyereke inzira igororotse. Nimba nkurikiye inzira mu bwizigirwa Imana izomparira ivyaha vyanje maze indekere muri paradizo. Ni yo ntumbero y'ubuzima bwanje."

Uwundi mugabo arishura, "Nanje ndashaka kwumvira amategeko y'Imana ariko nta bwoba mfise yuko yozonta mu muriro utazima. Yaramaze kumbabarira ivyaha vyanje kandi yaransezeraniye kumpa kaze mw'ijuru. Rero ngaha kw'isi ndanezerwa no kumumenya ku giti canje, nkamenya urukundo rwayo kandi nanje nkayikunda. Nshaka kubaho kubwayo, umwanya wose, buri musi. Iyo ni yo ntumbero y'ubuzima bwanje."

1 Igihe twiyumviriye k'ubuzima bwacu bishobora guhinduka umutwaro kuri twebwe. Dushirwa ku gipimo n'ibitubangamiye canke imyitwarariko y'uyu musi canke kazoza kacu. Mu butumwa bweranda (Injil), Yesu Kristo yasezeranye isezerano rihambaye kuri twese:

"Ni muze kuri jewe mwese abananiwe n'abaremerewe, ndabaruhura."
(Matayo 11:28)

Ni wiyumvire Yesu Kristo ariko arakubwira aya majambo wewe ubwawe! Guma musubiramwo ayo majambo gushitsa aho muyavuga ava mu mutwe. Uhejeje, ni wuzuze ibibura aho hepfo:

"Ni muze kuri jewe mwese _____ n'_____, Ndabaruhura."

2 Umwami Yesu Kristo yavuze aya majambo igihe yaza mw'isi. Yahamagaye abantu kuza kuri we: "Nkurikira". Bamwe baje banezerewe bacika abayoboke biwe, abandi baramwanse. Kristo ni muzima kandi aracadutumira. Ubwo butumire ni ubuhe? "Ni muze_____ jewe".

Gucika umuyoboke wa Kristo

3 Reka twige uko umuntu yocika umuyoboke wa Kristo. Dufatire ku karorero k'umurovyi Simoni Petero, umwe mu bayoboke ba mbere ba Kristo. Reka dusome ibikurikira muri Bibiliya Yera:

Nuko ishengero ririko riramubanda ryumva ijambo ry'Imana, yar'ahagaze ku musenyi w'ikiyaga c'i Genesareti. Abona amato abiri aziritswe ku nkombe y'ikiyaga, ariko abarovyi bari bayavuyemwo, boza insenga. Atambukira mu bwato bumwe, bwar'ubwa Simoni, aramusaba ngo abwigizeyo buve ku nkombe gatoya: aricara, yigisha ishengero, ari mu bwato.

Ahejeje kuvuga, abarira Simoni, at'igira mw'idamba, muterere insenga zanyu murobe. Simoni aramwishura, at'Erega Mwigisha, twakesheje ijoro ryose twatamye, nta co twafashe: ariko kubw'ijambo ryawe ndaterera insenga.

Babigize, baroba ifi nyinshi cane, insenga zabo zigomba gucika. Bakura abagenzi babo bari mu bundi bwato ngo baze babafashe: baraza buzuza amato yompi, agomba kudobera. Ariko Simoni Petero abibonye yikubita imbere y'amavi ya Yesu, ati Va aho ndi, Mugenzi kuko ndi umunyavyaha. Kukw'atangaye, n'abari kumwe na we bose, babonye ifi barovye. Na Yakobo na Yohana bene Zebedayo nabo baratangara, bari bafatanije na Simoni. Yesu abwira Simoni, ati nta co utinya, uhereye none uzoroba abantu. Bahejeje gushikana amato yabo ku nkombe, basiga vyose, baramukurikira."

(Luka 5: 1-11)

Nyuma yo gusoma igisomwa cose, shirako (✓) mu kadirisha ☐ ubandanye.

4 Biraboneka ko Simoni Petero yateye intambwe zine kugira ngo ahinduke umuyoboke wa Kristo. Bisa n'aho Simoni Petero yateye intambwe zine kugira abe umuyoboke wa Kristo. Muri izi ntambwe zine nyene, na n'uyu musi abantu benshi barakurikira Umwami Yesu. Hinge rero tuzigeko.

Intambwe ya mbere: Kuva mu vyaha

Simoni amaze kubona igitangaza c'ifi, amaso yiwe yarugurutse. Abona ukwera k'Umwami Yesu, n'ubumaramare bwiwe. Mbega yabwiye iki Yesu?" ati Va aho ndi mugenzi; Ndi _____" (*Raba mu gisomwa hejuru mu gice gihereza)*

5 Simoni yamenye ko ari''umunyavyaha". Ntiyari bwigere yica umuntu n'umwe canke ngo asambane. Ariko Yesu abona mu mutima i bwina. Simoni ntiyashobora kunyegeza Umwami Yesu amabanga ateye isoni n'ivyiyumviro bibi.

Weho bimeze gute? Ni ayahe mabanga anyegejwe, yoshobora kukwica mu gihe yovugirwa mu ndangurura majwi wicaye mu rusengero? Kumbure woshobora kuyanyegeza ababanyi n'umuryango ariko ntiwoyanyegeza Yesu Kristo.Wewe ashobora kubona ivyinyegeje bibi vyose mu buzima bwawe nkuko umuganga ashobora kubona muri rugagamisha, igufa ryinyegeje ryo mu mubiri!

Fata akanya, ubaze Yesu Kristo akwereke mu mfuruka zose z'ubuzima bwawe.

6 Vy'ukuri umuntu wese yarandujwe n'icaha nkuko Omar Khayyan (1048-1131) yavuze.

"Mbwira uwutakoze icaha mur'iyisi

Mbwira ahari abatakoze ivyaha,
Wangiriye nabi nanje ndakugirira nabi
Mbwira itandukaniro hagati yawe nanje.”

Mbega hariho uwoshobora kunyegeza ivyaha vyiwe Imana? [Ego / Oya] *(Shira mukanzingi inyishu nziza)*

7 Warigishijwe ko Imana ikunda abiyeza yanka abakora ibibi. Mbega Yesu uwutari yanduye yaranse uwanduye Simoni? Mu buryo butangaje, si ko yabikoze! Mbega yabwiye Simoni ngw’iki? *(Soma igisomwa ku kibazo ca 3 utoremwo inyishu nziza)*

___ a) ‘Ati Va aho ndi’
___ b) ‘Ntutinye’

8 Ese ukuntu Simoni yumvise aruhutse amaze kwumva ngo “ntutinye!” Nimba nawe, kimwe na Simoni, umenya ko uri umunyavyaha mubi, mpore. Yesu, Mesiya yatanze ubugingo bwiwe nk’ikimazi ku bwawe, nkuko ivyongeweko, igice na 2 kibitomora. Yiteguye kuguharira no kukwoza ivyaha vyawe vyose, maze ugahumanuka rwose!

Witeguye kwakira ingabire y’urukundo? Raba aba bantu babiri bahushanye:



Ni nde mur’aba Yesu Kristo azokweza: N’umuntu w’ubwibone nka Imran canke ni uwuciye bugufi nka Shafik? _____

9 Umwami Yesu yavuze ‘Sinaje guhamagara abagororotsi, ariko naje guhamagara ‘abanyavyaha ngo bihane’ *Luka 5:32)*. ‘Ukwihana ’bisigura guhindukira canke kwigarura ukareka inzira wari urimwo, gutera umugongo ivyo warimwo’.
Raba aba bantu babiri :



a) Ni nde muri aba bantu yihanye, 1 canke 2. ?
____

b) Ni nde muri aba yabandanije mu nzira ziwe za mbere, 1. Canke 2. ? _____

10 ‘Kwihana’ kuruta kwicuza ivyaha vyacu. Neza neza bisigura guhindukira ukava mu vyaha, nkuko bimeze k’umuntu agira kabiri kw’ifoto. None, ibigaragaza ukwihana nyakuri ni ibiki ? *(Hitamwo inyishu imwe)*

___ a) Kuticuza na rimwe ivyaha wakoze mu buzima
___ b) Kwicuza vyaha vyawe ariko ntuhindure ubuzima ubayemwo
___ c) Ni uguhindukira burundu ukuva mu vyaha wari ubayemwo

11 Ni iyihe ntambuko ya mbere Simoni yateye kugira abe umuyoboke wa Kristo ? Guhindukira akava mu _____

Intambwe igira kabiri : Gutahura ikiguzi

12 Intambwe ikurikira ya Simoni kwari gutahura ikiguzi co kuba umuyoboke wa Kristo. Simoni yahuye n'ihitamwo rikomeye. Yafatiwe hagati y'ivyiyumviro bibiri :

Simoni yatahura iki? _____ co kuba umuyoboke wa Kristo

13 Yesu Kristo yaciye uyu mugani w'ingene hategerezwa kuba ikiguzi kugira ngo uhinduke umuyoboke wiwe :

"Kandi ubwami bwo mw'ijuru busa n'umudandaza arondera imaragarita nziza. Abonye imaragarita imwe, y'igiciro kinini, aragenda, ashore ivyo afise vyose, arayigura (Matayo 13:45-46)

Nk'umuyoboke wa Yesu, ni ibihe bintu vy'igiciro wumva woheba ? Shira ikimenyetso kuri kimwe canke vyinshi muri ibi bikurikira

___ a) kuvugwa neza mu kibano
___ b) akazi kawe ka buri musi
___ c) umuryango wawe
___ d) itongo ryawe canke umugabane wawe
___ e) ikindi *(yandike ngaha)* _____

14 'Imaragarita y'igiciro kinini 'irabikwiye! Ikimazi cose twatanze kubwa Kristo, wibuke ko yatanze ikikiruta mu gutanga ubugingo bwiwe kubwacu ku musaraba!

"Arikw'Imana yatweretse urukundo rwayo idukunda, kuko Kristo yadupfiriye tukiri abanyavyaha."
(Abaroma 5: 8)

None, ni nde yatanze ikiguzi kinini? Ni twebwe canke ni Kristo? _____

Mu cigwa ca 9 na 10, tuziga ingene Yesu Kristo adufasha iyo duhangana n'ihamwa.
Intambuko ya gatatu: Niwiyizere muri Kristo
15 Kugira ngo abe umuyoboke wa Kristo, Simoni yategerezwa mbere y'ibintu vyose kuva mu vyaha, ubwa kabiri, akamenya canke agatahura ko harimwo ikiguzi. Aho rero niho yaca ashika ku ntambwe ya gatatu: "Ni wishikane kuri Kristo".
Mu ngingo ya gatatu, ni usome iryungane rya nyuma muri kirya gice nyene. Simoni n'abo bari kumwe bishuye iki ku muhamagaro wa Yesu? Bavyifashemwo gute? *(Uzuza aho hepfo)*
"Bahejeje gushikana amato yabo ku nkombe, _____ vyose _____."

16 Simoni yishikanye wese mu maboko ya shebuja mushasha Yesu.
Twishikana gute mu maboko y'umuntu mu buzima bwa buri musi? Ngubu uburorero bumwe bumwe:

- ✓ ***Umwana arushe*** asimbira mu maboko ya se ngo amuterure
- ✓ ***Umurwayi*** yishira mu maboko ya muganga igihe cose afata imiti
- ✓ ***Ingenzi*** yizera uwunyonga umuduga umwunguruza hakiri kare mu ntango y'urugendo rwiwe.

Nkuko biri ku mwana arushe, umurwayi canke uwufashe urugendo, ni ko natwe twishira mu maboko ya Yesu mu kumwizera. Twizigira yuko azoturinda kandi azoturongora muri vyose. Tumwumvira nka Databuja.

Intambuko ya gatatu mu kuba umuyoboke wa Kristo ni iyihe?

1. Kuva mu vyaha
2. Gutahura igiciro
3. _____ Kristo

17 Simoni Petero amaze kwishikanira wese Yesu Kristo mu kumwizera, bagendanye ikiringo c'imyaka itatu. Yasangiye umunezero n'umubabaro na Shebuja. Yabonye Yesu akiza abarwaye, anazura abantu mu bapfuye! Yize gukunda abantu nkuko Yesu yabakunda. Buhoro buhoro, intambwe ku yindi, uko Simoni yimenyereza, niko yagenda ahinduka agasa nk'umwigisha wiwe Yesu. Nyuma y'aho ni ho yahavuye amenyekana kw'izina rya Petero.

Simoni Petero yahindutse umuyoboke wa Kristo gute? (Tora inyishu nziza*)*

___ a) Mukwishikana no mu kwizera Yesu Kristo
___ b) Gusubiramwo ivyizerwa bishasha (*karma* canke *shahada*)

18 Nkuko ubizi, umwigishwa yigira kuri shebuja mu kuraba no gukora ivyo shebuja akora vyose. Uko ni ko Simoni Petero yakuze nk'umwigishwa wa Yesu.

Natwe tuba abigishwa bakimenyerezwa iyo dukurikira Yesu nka Databuja. Naho tudashobora kumubonesha amaso yacu y'umubiri, turiga kandi tugakoporora ivyo akora kugira ngo tumere nkawe. Twatewe iteka ryo gusangira igikorwa nawe.

Ni iyihe ntambwe ya gatatu yo kuba umwigishwa wa Yesu? _____ ubwawe kuri Yesu

Intambuko ya kane: Kwifatanya n'umuryango wa Kristo

19 Igihe Petero yitaba umuhamagaro wa Yesu, ntiyari wenyene. Yinjiye mu muryango wa Kristo. Abigishwa ba Kristo bari babanye nk'umugwi umwe kandi basangira vyose. Bava mu miryango itandukanye no mu nzego zitandukanye, ariko bigishijwe gukundana.

Ntivyari vyoroshe. Ni kenshi bagiye baja impari ariko bakazitorera umuti kandi bagaharirana. Petero Simoni yize ko aba-Kristo bose bategerezwa kuba mu _____ Wiwe.

Kuba mu muryango wa Kristo ni ngombwa ku wizera wese!
Tuziga ibitari bike mu cigwa ca 7.

20 Yesu yahamagariye Simoni Petero kuba umuyoboke wiwe. Ni izihe ntambwe zine ivyo vyafashe?

1. _____mu vyaha
2. _____ikiguzi
3. _____ ubwawe kuri Kristo
4. _____ muryango wa Kristo

Musangire. Ni iyihe ntambwe mw'izo zitatu ziri aho hepfo muberanye.



Mu guheraheza, ukuye iki mw'iki cigwa c'uyu c'uyu musi?

- ***Kumbure usanzwe uri umuyoboke wa Kristo?*** Bisanzwe ari uko, iki cigwa mu rugendo rwo gukurira muri Kristo.
- ***Kumbure witeguriye kuba umuyoboke wa Kristo?*** Ubwo wovugana n'umuhanuzi wawe agufashe gutera iyi ntambwe.
- ***Kumbure uracakeneye akandi kanya ko kwiyumvira kuri iyi ntambuko ngirakamaro?*** Ni vyiza, ariko ntutebe gufata ingingo hakiri kare kuko umusi umwe wonyene wosanga hari ivyapfuye vyinshi. Bandanya wiga ni waba ubishaka, ariko umenye ko wokwunguka vyinshi igihe wofata ingingo ubu nyene ugakurikira Kristo.

IGIKORWA CO KWIMENYEREZA

Muri iyi ndwi, ja ahantu hamwe wiherere, maze wiyumvire neza kuri ibi bibazo: Waramaze kuba umuyoboke wa Kristo? Canke witeguye kuba umuyoboke wiwe? Canke uracakeneye uwundi mwanya wo kuvyiyumvireko?

Niwiyibutse.

KWIYIBUTSA

1. Ni ubuhe butumire bw'igitangaza bwa Yesu Kristo wafashe ku mutwe muri Mat.11:28? *(Raba ingingo ya 1 nimba utavyibuka)*

Ni muze kuri jewe mwese…….

2. Vuga intambwe zine zo kuba umuyoboke wa Kristo:

1. _____ mu_____
2. _____ _____
3. _____ ubwawe kuri _____
4. _____ _____ wa Kristo

INYISHU Z'ICIGWA CA 1

1 Kuruha, umutwaro
2 Gukurikira
3 Soma igice
4 Umunyavyaha
5 Inyishu y'umuntu
6 Oya
7 b)
8 a Umuntu aciye bugufi
9 a) Umuntu 2; b) Umuntu wa 1
10 c)
11 Icaha
12 Ikiguzi
13 Inyishu y'umuntu
14 Kristo
15 yagiye... yakurikiye
16 Kwizigira
17 a)
18 Kwizigira
19 Ikibano
20 1.Guhindukira;2.Gutahura;3.Kwizigira;4. Guhuza



Icitonderwa: Ntushobora kwiyigisha iki cigwa. Rondera Umuhanuzi canke umugenzi Uganire nawe kuri buri cigwa.

Guhinduka– UBUZIMA BUSHA MURI KRISTO

Umuntu ahindutse umuyoboke wa Kristo ntasubiremwo ivyizerwa abifata ku mutwe gusa, ariko aronka ubugingo busha muri Kristo! Aho harimwo:

A. Akaranga gashasha
B. kuvuka ubwa kabiri
C. kamere nsha



1 Reka twige ivy'ubu buzima bushasha kandi butangaje mu gitabu kimwe ca Bibiliya Yera: 'Icete ca mbere ca Petero', canke 1 Petero muri make. Petero Simoni, uwo twizeko mu cigwa ca 1, yanditse iki cete arongowe n'Imana. Icete gitangura uku:

"Petero, intumwa ya Kristo." (1 Petero 1:1)

Ngaha, Petero yari iki muri ibi bikurikira? (Tora inyishu nziza*)*

___ a) umwigishwa ___ b) intumwa ___ c) umuvugishwa

2 Muri Bibiliya Yera, ijambo 'intumwa' risigura umuntu atumwe mu gikorwa kidasanzwe (si uwo igitabu cerenda kivako). Umwami Yesu yatoranije abagabo cumi na babiri, arabigisha hama abatuma mu gikorwa kidasanzwe. Ni yo mpamvu bitwa 'intumwa'. Uwari abarongoye yari intumwa Petero.

Ni ikihe gice c'ijambo ry'Imana tugiye kuzigako? Icete ca mbere c'intumwa _____

3 Umurongo wa 1 utubwira uwanditse kino cete arongowe n'Imana. Kitubwira kandi abo yacandikiye. Bari abayoboke ba Kristo baba mu gihugu twita ubu Turukiya. Kuri uyu murongo bitwa "abatoranijwe n'Imana".

Fata akanya ushimire Imana kuba abatoranijwe nayo!

4 Uyu murongo nyene ubita "inyambukira". Kumbure ushobora kuba uri kure yo muhira, mu yindi ntara canke akarere ushobora kuba uri mu kindi gihugu ca kure; canke umuryango ukaba waraguciye, abantu bose baragutaye. Ibi ni ibihe bigoye kubamwo!

Ariko mu maso y'Imana, dufise akahe karanga gashasha? Turi ubwoko bwatoranijwe na_____'

A) Akaranga kacu gashasha

5 Ego, turi 'ubwoko bwatoranijwe n'Imana'! Abacu ba kera, umuryango wacu wa kera ushobora kuba waradutaye, ariko Bibiliya itubwira ngo: "Bisanzwe Imana iri mu ruhande rwacu uwoturwanya ninde?..Ninde azorega abo Imana yatoranije (Abaroma 8:31-33). *"None mbega Imana ntizocira abo yatoranije urubanza rubakiza, bayiborogera k'umurango no mw'ijoro, nah'ibatevya?"* (Luka 18:7)

Nk'abayoboke ba Kristo, ni akahe karanga gashasha kacu? (*Tora inyishu nziza*)
___ a) ubwoko bwatoranijwe n'Imana ___ b) ibihemu ___ c) abasubiye inyuma mu vyizerwa

6 Umurongo ukurikira ngo: "*Imana Data wa twese yabamenye uhereye kuva kera"* (1 Petero 1:2)

Inkuru ivugwa ku muhungu yabuze abavyeyi biwe bwite, maze uwundi muryango uhitamwo kumwirerera nk'umwana wabo. Umusi umwe abandi bana barabimucuriye, bamutwenga. Yarabishuye ati: "Oya muribesha kuko jewe nubashwe kubaruta. Ba so banyu ntibigeze babatoranya, ariko jewe yarantoranije, angira umwana wiwe!"

Ese ukuntu ari ivy'igiciro gutoranywa n'Imana! Mbega twari tubikwiye kubwo ibikorwa vyacu vyiza? [Ego / Oya]

7 Imana yadutoranije kuko idukunda, si uko twari tubikwiye. Ni ivy'ukuri kandi ko twahisemwo gukurikira Imana biciye muri Yesu Kristo. Nkako uguhitamwo kw'Imana n'uguhitamwo kwacu birakorana.

Ni akahe karanga kawe gashasha muri Kristo Yesu? Turi ubwoko Imana _____ .

B) Kuvuka ubwa kabiri

8 Urazi itandukaniro riri hagati y'inyongori canke urunyo n'ikinyabwoya. Naho bishaka gusa biratandukanye cane. Inyongori canke urunyo biguma vyikwega hasi, ntivyigera bihinduka gushitsa gupfa. Ariko ikinyabwoya kigenda gihinduka mu buryo butangaje kandi bwiza. Hagupfa, ikinyabwoya gihinduka iki? *(raba ifoto)* _____



9 Si igitangaza ko ikinyabwoya gisa nabi, kigendagenda kw'ibabi bukebuke gihinduka ikinyugunyugu ciza, gikayangana, kigaruka mu kirere? Bisa no kuvuka ubwa kabiri kugira ube icaremwe gisha.

Ni igiki gihinduka ku kinyabwoya? Ikindi kintu gishasha _____'

10 Waramaze kuba umuyoboke wa Kristo Yesu? Iyo wiravye mu cirore wibona nkuko wari uri kera, aha tuvuga umubiri w'<u>inyuma</u>. Uracari wa wundi! Ariko mu vy'ukuri, guhinduka <u>imbere</u> muri wewe ni ikintu gikomeye nkuko bigenda ku kinyabwoya kugira gihinduke ikinyugunyugu. Uko guhinduka kw'igitangaza gukomeye biciye muri Kristo kwitwa 'kuvuka ubwa kabiri'.

Ni ba nde bamaze kuvuka ubwa kabiri? *(Tora umwe)*
___ a) abantu baba mu gihugu cacu bose
___ b) abantu bose bashikanya mu maboko ya Kristo bakamwizera
___ c) abantu bose bavukiye mu muryango Rukristo

11 Umurongo ukurikira wo muri 1 Petero uratubwira uko kuvuka ubwa kabiri
"Imana y'Umwami wacu Yesu Kristo, ari yo Se, iragahezagirwa, yatuvyaye ubwa kabiri nk'ukw'imbabazi zayo nyinshi ziri, kugira ngo tugire ivyizigiro bizima, ituvyaza ukuzuka mu bapfuye kwa Yesu Kristo". (1 Petero 1:3)

Nkuko uyu murongo ubivuga, ni nde yaduhaye kuvuka ubwa kabiri?
___ a) **Imana**, mu mpuhwe n'ubuntu bwayo
___ b) t**webwe ubwacu**, kubw'ibikorwa vyacu vyiza
___ c) **umuntu atunganye**, mu kudusengera

Uramaze kuvuka ubwa kabiri?

12 Imana itanga uko kuvuka ubwa kabiri ku muntu uw'ari we wese, ariko si bose bakwakira.

Raba ivyo umuganga abwira abarwayi batatu nuko bamwishura:



Ni nde muri aba barwayi batatu azokira? A. B. canke C.? _____

13 Muri ubwo buryo nyene, ni nde muri aba bantu batatu aho hepfo azemera kuvuka ubwa kabiri muri Kristo ?

(tora umwe)

___ a) Umwe ngo "Kristo ndizera inyigisho zawe, ariko mfise ubwoba bwo kukwakira mu buzima bwanje"

___ b) Uwundi ngo "Sinkwizera"

___ c) Uwa gatatu ngo "Ndakwizeye, Mwami wanje. Ngwino mu buzima bwanje



C) Kamere kacu gashasha

14 Tumaze kwiga ibijanye n'akaranga gashasha kacu hamwe no kuvuka ubwa kabiri nk'abayoboke ba Kristo, Yesu Kristo aca aturemamwo akandi kamere gashasha.

Abantu benshi bo mw'idini rimwe bakaba bamaze kuba abayoboke ba Krisito. Ngaba bamwe muri abo bagaragaza impinduka yabagizeko mu buzima bwabo:

Talib: "Ubuzima muri Kristo buranezereye kandi buhagije umutima"
Hassan: "Yesu yampaye amahoro n'umunezero"
Said: "Imyidogo n'imyitwarariko vyaraheze"
Shaheeda: "Ubwoba n'imitwaro vyaragiye"
Fatuma: "Ndazi kw'Imana inyemera uko ndi kwose"
Ahmad: "Kahise kanje kwose karirabura, akamoto kanje Kari inzoga gusa, ubusambanyi n'ivyaha vy'uburyo bwose vyari bindembeje. Umutima wanje ubu urakeye, wuzuye umunezero n'amahoro"

(Vyavuye mu gitabu canditswe na Ralph Wotton)

Ngwaba abantu nyabo. N'irihe tandukaniro ryabaye mu buzima bwabo? *(tora kimwe)*
___ a) Yesu yabahaye kamere nshasha n'impinduka nyinshi nziza
___ b) Ubuzima bwabo bwabaye bubi kuruta mbere
___ c) Ntibigeze bahinduka muri kamere kabo ka kera

15 Yesu Kristo yatanze kamere nsha kuba muyoboka bose. Kimwe na bo, natwe tuzogira umunezero n'amahoro. Ariko ivyo twiyumvamwo si vyo kintu gikomeye mu buzima. Igihambaye kandi ngirakamaro cane kuruta ibindi vyose, ni impinduka Yesu azana mu karanga kacu. Ngubu uburorero bumwe bumwe (amazina yariyumviriwe).

Hassan: "Yesu yampaye guheba ingeso yo kunywa itabi"

Jamal: "Yesu yahinduye inyifato yanje y'ubwibone"

Razzaq: "Yesu yankijije imvugo mbi no kwisuzugura"

Said: "Nahagaritse kubuza umutekano abandi"

Shamim: "Numvise kunezererwa abandi"

Faisal: "Impwemu yo gufasha yasubiriye iy'ubwibone mu buzima bwanje"

Rashid: "Nize kwizigira Imana mu kazi kwose nkora no kuba umunyakuri
Mariam: "Nipfuza kuzana abandi kugira ngo bamenye urukundo rwa Kristo"
(Vyavuye mu gitabu ca Ralph Wotton)

Ni izihe mpinduka gushika uyu musi Kristo yazanye mu buzima bwawe bwite?
Ni wandike ivyo wiyumvira, kandi witegure kubisangiza mu mwanya w'ikiganiro_____

_____

16 Nimba utaraba muri izo mpinduka zo hejuru zose, ntiwihebe. Zizoza buhoro buhoroko, uko uzogenda ukura muri Kristo. Bifata igihe kugira ngo umwana ave mu bwana, akure. Uko ni ko biri no mu kuvuka ubwa kabiri, kuko bifata igihe umaze kwakira agakiza kugira ngo ube umushingantahe canke umupfasoni mu vy'impwemu.

Ariko, ko Kristo ari muri wewe, ni iyihe 'kamere' iba mu buzima bwawe cane cane
___ a) Kamere ya kera y'icaha? ___ b) Kamere nsha yawe muri Kristo?

Intambara turwana mu mpwemu
17 Naho dufise kamere nsha muri Kristo, dutegerezwa kurwana intambara y'impwemu turwanya kamere yacu yakera –imisi yose mu buzima bwacu bwose. Ijambo ry'Imana ridutegeka:

"Nuko mwice ingingo zanyu ziri mw'isi, ubushakanyi, ibihumanya, ukwipfuza kw'umubiri, ukwipfuza kubi kwose no kwipfuza ivy'abandi, niko gusenga ibigirwamana. Namwe mwabigenderamwo kera hamwe mwaba muri vyo… mukambara umuntu musha, ahindurwa musha ngo agira ubwenge ngo amere nk'ishusho yiyamuremye."
(Ab'i Kolosayi 3:5,7-10

Ukurikije imirongo yo hejuru, (shira akazingi ku nyishu nziza*)*
a) 'Twiyambuye' iyihe kamera? [kamere ya kera / kamere nshasha]
b) 'Twambaye' iyihe kamere? [kamera ya kera / kamere nsha]

Ganira ukuntu kwiyambura kamere ya kera ukambara kamere nsha vyakugoye. Ni musangire ivyakugoye.

18 Amafoto yo munsi yerekana abayoboke ba Kristo bakora ibintu bitandukanye. Ahatanditswe ikintu, kuri buri muntu, ni wandike 'kera' nimba yitwara nkuko yari ameze akiganzwa na kamere kiwe ka kera; canke 'nsha' nimba yitwara nk'uwuganzwa na kamere nsha:



Umuntu a): _____ kamere
Umuntu b): _____kamere
Umuntu c): _____kamere
Umuntu d): _____kamere

19 Igihe cose kamere yacu nsha, ari yo kamere ya Kristo, itwinjiyemwo, irwanya kamere kacu ka kera k'icaha. Umusi umwe, umworozi yavuze kuri iyo ntambara muri aya majambo: "Niyumvamwo nkaho impene zibiri ziriko zisekanira mu buzima bwanje: iyirabura n'iyera." Uwariko aramwumviriza nawe ati: "Ni iyihe mpene yatsinze?" Aramwishura ati: "Iyo nitayeho kugaburira cane"!

Iyumvire kuri uyu mugani w'umworozi. Impene yirabura igereranywa na kamere kacu ka kera, mu gihe iyera igereranywa na kamere kacu gasha. Ni iyihe iriko iratsinda mu buzima bwawe muri iyi misi? Kubera iki? Witegurire ikiganiro gikurikira.



Muri iki cigwa c'uyu musi, reka twibuke ibintu bitatu bikomeye dufise muri Kristo:

- Dufise akaranga gashasha nk'ubwoko bwatoranijwe n'Imana
- Twavyawe ubwa kabiri nk'uko ikinyabwoya cihindura ikinyugunyugu
- Kubwa Kristo, kamere kacu nshasha igenda isubirira kamere kacu ka kera k'icaha

20 Umurongo ukurikira w'ijambo ry'Imana uvuga mu ncamake ivyo twize uyu musi:

Nuko rer'umuntu wese iy'ari muri Kristo, aba ar'icaremwe gisha: ivya kera biba bihise, vyose biba bicitse bisha!" **(2 Ab'i Korinto 5:17)**

Uzuza aho ata canditswemwo kandi usubiremwo kenshi gushika aho ufata uwo murongo ku mutwe:
"Nuko rer'umuntu wese iy'ari muri _____ , aba ari _____ ; _____ biba bihise, vyose biba _____ !" (2 Ab'i Korinto 5:17)

Ubu senga iri sengesho:

Nuko rer'umuntu wese iy'ari muri Kristo, aba ar'icaremwe gisha: ivya kera biba bihise, vyose biba bicitse bisha!"

(2 Ab'i Korinto 5:17)



Igikorwa co kwimenyereza

Gira urutonde rw'impinduka nziza zitatu zabaye mu buzima bwawe ziva kuri kamere kawe nshasha. Shima Imana kubw'izo mpinduka.
Wongere kandi ugire urutonde rw'ibintu bitatu mu ngeso zawe bikikugora bivuye kuri kamere kawe ka kera k'icaha. Muri iyi ndwi, Imana igufashe kurwanya izo ngeso mbi zose zicigaragaza mu buzima bwawe.

KWIYIBUTSA

1 a) Iyo umuntu yizeye Kristo, ni igiki gihinduka muri we?
Avuka _____

b) Ni akahe karanga gashasha dufise nk'abayoboke ba Kristo? Turi _____ _____n'Imana

2 Intambara yacu yo mu buryo bw'impwemu iri hagati ya kamere kacu k'icaha ka (*kera / gashasha)* na kamere kacu ka (*kera / gashasha*) muri Kristo *(Camwo umurongo mu nyishu mbi)*

3 Tanga uturorero tubiri tw'impinduka Yesu Kristo azana mu buzima bw'abayoboke biwe
(Nimba ata na kamwe wiyumvira, raba ku bibazo vya 11-12):
_____

4 Bivanye nivyo wafashe ku mutwe, uzuza aho atacanditsemwo ukurikije 2 Ab'i Korinto 5:17:

"Nuko rer'umuntu wese iy'ari muri _____ , aba ar'icaremwe _____ _____ biba bihise, vyose biba _____"

INYISHU Z'ICIGWA CA 2

1 b)
2 Petero
3 Inyishu y'umuntu
4 abantu
5 a)
6 Oya (ariko utavyemera neza, vugana n'umuhanuzi wawe)
7 Abatoranijwe
8 Ikinyugunyugu
9 Ivuka
10 b)
11 a)
12 C
13 c)
14 a)
15 witegurire kuganira
16 b)
17 a) kamere ya kera b) Kamere nshasha
18 a) gishasha b) gishasha c) ca kera d) ca kera
19 witegurire kuganira
20
fata ku mu
twe umurongo